# Nta muntu n'umwe aragizwa n'Imana Allah gutunganiriza abantu ku kintu na kimwe, bigashika agapfa umusi yageneweko, uwo musi agapfa yahora akoresha urwenge mu guhenda abo yaragijwe, kiretse ko Imana Allah Yamaze kuziririza kuri we ko azokwnjira mu Bwami bw'ijuru

Mu vyakiriwe na Ma'qili mwene Yasaari Al-Muzaniy (Imana Allah Imwishimire), yavuze ati: "Mu vy'ukuri, narumvise Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: "Nta muntu n'umwe aragizwa n'Imana Allah gutunganiriza abantu ku kintu na kimwe, bigashika agapfa umusi yageneweko, uwo musi agapfa yahora akoresha urwenge mu guhenda abo yaragijwe, kiretse ko Imana Allah Yamaze kuziririza kuri we ko azokwnjira mu Bwami bw'ijuru"".

[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), aratwiganira ko umuntu wese, Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yashinze amabanga yo gutunganiriza abantu ku kintu ico ari co cose yaragijwe, yaba ari amabanga yo ku rwego rwo hejuru yo gutunganya vyose; nko kuba indongozi nkuru mu Gihugu "Amiir", canke amabanga bwite; nko kuba umugabo mu rugo rwiwe, n'umugore mu nzu yiwe, hanyuma agatirigana mu kutubahiriza agateka k'abo ajejwe, agakoresha urwenge mu kubahenda, atemera no guhanurwa, maze akirengagiza kwubahiriza agateka kabo mu bijanye n’idini no mu bijanye n'ivy'isi, ko uwo muntu akwiye kuzohabwa igihano gikaze.

https://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/5335